Ivyogufasha kwiga urundi rurimi

1 NUMENYE IGITUMA USHAKA KURWIGA

Ni ururimi uruhe ushaka kwiga?

Kubera iki ushaka kurwiga?

“Niwandike imvo zatumye uhitamwo kwiga urundi rurimi, maze igihe cose wumvise umenga wotana n’akabando, uce usubira uzirimbure.”
—Serina.

2 NURONDERE ABOGUFASHA

“Igihe nariko ndiga igisupanyoli, hari abandi bantu bariko baraciga twaza turaremeshanya. Barambwira ingorane bagize n’ingene bazitsinze.”
—Helena.

Niwandike abantu wokwitura uramutse uhuye n’intambamyi.

“Ntushobora kumenya neza ururimi igihe utarucokeyemwo.”
—Christopher.

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania



3 NIWIRINDE GUCIKA INTEGE

“Umwanya umwe wumva umenga wamaze kurumenya, uwundi mwanya ukumva umenga nta na kimwe uzi!”—Vivian.

Ni imigambi mitomito iyihe wokwishingira izokworohera gushikako kandi ikagufasha kudacika intege?

“Ntucike intege igihe ubonye abandi banyarutse kurumenya. Twese ntitunganya ububangukirwe.” —Thomas.

4 NIWIMENYEREZE BURI MUSI

“Niwagira utwigoro tuboneka, ntuzoteba kurumenya. Ariko niwabifata minenerwe, uzorumenya utevye.” —Danielle.

Niwandike umwanya womara buri musi uriko uriga urwo rurimi.

Ku wa mbere	Ku wa kabiri	Ku wa gatatu	Ku wa kane	Ku wa gatanu	Ku wa gatandatu	Ku wa mungu

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

5 NUMENYERE IMICO Y'ABARUVUGA

Wokora iki kugira umenyere imico y'abantu bavuga ururimi uriko uriga?

"Ndagerageza kumenya ivyerekeye abantu bavuga ururimi ndiko ndiga. Ndihweza ukuntu bakora ibintu, nkagerageza gufungura imfungurwa zabo, nkumviriza n'indirimbo zabo. Kwiga ururimi birimwo n'ibindi uretse urwo rurimi ubwarwo!"—Alexis.

6 NUJE MU GIHUGU RUVUGWAMWO

"Twaragiye muri Shili tumarayo amezi umunani, kandi ivyo vyatumye tunyaruka kumenya igisupanyoli kuko twacumva buri musi."—Natasha.

Nushire akamenyetso ku gihugu ushaka kuzojamwo.

Nimba udashobora kuja mu kindi gihugu, nurondere ahandi hantu woja hari abantu bavuga urwo rurimi uriko uriga.

"Nufate umwanya wo gusoma urwo rurimi, kurwandika, kuruvuga no kurwumviriza. Kugira umenye ururimi neza, bisaba ko ukora ivyo bintu bine vyose."—Allison.

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania